Ikinyamakuru
ca Ekleziya
Gatolika
Umwaka wa 70
Gisohoka kabiri mu
kwezi
Ikiguzi : 500FBu

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi.
Avenue de la mission n° 06

Email:journalndongozi@gmail.com

Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi

«Jewe ndi wa mwungere mwiza »
Jn 10, 11a

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. Fax : (257) 228907 N°794 01 Mukakaro 2023

## Ihwaniro rya mbere ry'ingo n'imiryango mu Burundi



Kuva kw'igenekerezo rya 22 gushika igenekerezo rya 25 Ruheshi, habaye ihwaniro rya mbere ku rwego rw'igihugu ryerekeye ingo n'imiryango ryateguwe n'Inama y'Abeskopi gatorika b'i Burundi, ibicishije ku Gisata cayo kijejwe Ubutumwa bw'abakristu balayike, ingo n'imiryango n'ubuzima (CELFV). Iryo hwaniro ryabereye kuri Foyer de Charité i Bujumbura.

Soma ku Rup. 4

Abakozi ba Ndongozi

Uwujejwe uruganda:
* A. Noël NTIRANDEKURA

Abamenyeshamakuru:
* A. Noël NTIRANDEKURA
* Mélance NDAYIKEZE
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA

Uwujejwe ubuhinga:
* Chanel HARINGANJI

Umunyamabanga:
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA

Umunyabigega:
* MSV Nadine HARAGIRIMANA

Uwujejwe imigenderanire:
* J. de Dieu NDIKUMANA

## Umuryango: «Ekleziya yo haziko imenyesha Inkuru nziza»



Soma ku Rup. 2

## Ibirimwo

o Umuryango: Ekleziya yo haziko imenyesha Inkuru nziza........................2
o Ikete rya Papa Fransisko: Sublimitas et miseria hominis........................6
o Umunsi mukuru wahariwe umwana w'umunyafrika................................9
o Uburenganzira bwo kungana imbere y'amategeko no kudakumirwa.........
.................................................................................................10

# Idominika ya Cumi na Gatatu : Umwaka A

### Igisomwa ca mbere : *2 Abami: 4,8– 11.14-16*

Ivyo dusoma mu gitabu ca kabiri c'Abami:

*(Imana ihezagira umukenyezi yakiriye umuhanuzi)*

Umusi umwe Elize yaciye i Shunemu. Hakaba hari umugore ahambaye, uwo mugore aramugobera ngo aje gufungura. Kuva ico gihe uko ahaciye kwose yama aca yikeberezayo ngo afungure. Uwo mugore abwira umugabo wiwe ati: «Ewe, ndamaze kumenya ko urya muntu ubona yama aca hano iwacu ari mweranda. Ndagusavye tumwubakire hejuru icumba gitoyi gikomeye, tumushiriremwo uburiri, imeza, intebe n'itara; niyaza hano iwacu, azohore aharuhukira.»

Umusi umwe Elize asubiyeyo, agenda muri ca cumba co hejuru, aryamayo. Elize avuga ati: «Ariko none ndamugirire iki?» Gehazi avuga ati: «Erega nta muhungu afise kandi umugabo wiwe arashaje.» Elize amubwira ati: «Muhamagare!» Aramuhamagara, na we araza ahagarara mu rwinjiriro. Elize amubwira ati: «Mu mwaka uza nk'aya mango, uzokikira umwana w'umuhungu.»

### Igisomwa ca kabiri: *Abanyaroma: 6, 3-4. 8 - 11*

Ivyo dusoma mw'ikete rya mbere Umutumwa Paulo yandikiye Abanyaroma:

*(Ko ibatisimu yaduhamvye hamwe na we, nitugenzwe n'ubuzima bushasha)*

Ncuti zanje :
Ntimuzi ko twebwe twese twabatirijwe muri Kristu Yezu twabatirijwe mu rupfu rwiwe? Twabatijwe mu rupfu, duhambanwa na we, kugira ngo nk'uko Kristu yazuwe mu bapfuye n'ubuninahazwa bwa se, abe ari ko natwe twigenza mu buzima bushasha. Ko twapfanye na Kristu turemera yuko tuzorambana na we, kuko tuzi neza yuko Kristu amaze kuzuka mu bapfuye atagisubira gupfa, urupfu ntirugisubira kumuganza. Mu gupfa yavavanuye n'igicumuro rimwe risa, mu kuba muzima aba muzima ku bw'Imana. Namwe rero ni ko kw'uko, nimwame muzirikana ko mwapfuye mukavavanura n'igicumuro, mukaba bazima ku bw'Imana muri Kristu Yezu

## Inkuru nziza : Matayo : 10, 37 – 42

**Alleluya, Alleluya.**

*- Muri indanga zitorewe n'Imana, musangiye ubusaserdoti na Kristu Umwami, muri igihugu gihunzweko ubweranda; nimumenyeshe rero ubukomezi bw'uwabakuye mu mwijima akabashira mu muco wiwe w'akatabonetse.*

**Alleluya.**

Ivyo dusoma mu Nkuru Nziza ya Yezu Kristu nkuko twayishikirijwe na Matayo:

*(Uwutakiriye umusaraba wiwe ntakwiye kuba uwanje. Uwubakirije yompi aba yakirije jewe nyene)*

Umunsi umwe, Yezu yabariye abatumwa biwe ati: "Uwukunda se canke nyina kunduta, ntakwiye kuba uwanje; n'uwukunda umuhungu wiwe canke umukobwa wiwe kunduta, ntakwiye kuba uwanje. Uwutakiriye umusaraba wiwe ngo ankurikire, ntakwiye kuba uwanje. Uwironderera ubuzima bwiwe azobutakaza, nayo uwuheba ubuzima bwiwe kubera jewe azoburonka. Uwubakiriye, aba yakiriye jewe nyene, na we uwunyakiriye, aba yakiriye Uwantumye. Uwakiriye umuhanuzi kuko ari umuhanuzi, azoronka impera y'umuhanuzi. Uwakiriye intungane kuko ari intungane, na we nyene azoronka impera y'intungane. Uwuzoramuka ahaye umwe muri abo batobato ico anywa, n'aho coba igikombe c'amazi apfutse, akabigira kuko ari umwigishwa, ni ukuri ndabibabwiye, ntazokwigera abura impera yiwe.»

# Umuryango: «Ekleziya yo haziko imenyesha Inkuru nziza»

**Urugo, Ekleziya yo haziko, Ekleziya y'ibanze**

***1.1 Mbega ukwita urugo: "Ekleziya yo haziko" bikomoka he ?***

 Tugomvye kubihera kw'itsitso, twovuga ko bikomoka mw'Ijambo ry'Imana ubwaryo. Yezu mu kuvukira mu rugo rw'abantu, yaciye arugira Ekleziya, kuko Ekleziya ni umuryango urimwo Imana n'abantu. Rero umuryango w'i Nazareti ugizwe na Yozefu, Mariya na Yezu, ni wo twovuga ko ari yo Ekleziya yo haziko ya mbere, mu ma Ekleziya ya Yezu Kristu. Ariko no mu nyandiko nyeranda zindi, turabona ko Ekleziya y'ibanze yamye ari urugo.

Nko mu gitabu c'Ibikorwa vy'Abatumwa, dusoma ko uwitwa Kirisipo (Crispus) yemeye Kristu kumwe n'abiwe bose, maze muri ako karere k'abapagani, urugo rwiwe ruca ruba nk'akazinga k'abakristu aho Imana yasengwa nkuko Yezu yayimenyesheje.

Biraboneka ko kuva kera, iyo abavyeyi bakiriye Inkuru nziza y'urukiza, baca bagomba ko umu-

Ibik. urup.4

# Ihwaniro ry'ingo n'imiryango mu Burundi

Icivugo nyamukuru c'i-koraniro cari: « ***Twijukire ubutumwa bw'ingo: urugo rukristu rube Ekleziya yo haziko imenyesha InkuruNzizu*** ».

Iryo koraniro ryitabwe: N'abaserukiye ingo n'imiryango bavuye mu ma paruwase yose y'Uburundi (250), baherekejwe n'abepiskopi babo bose, abasaserdoti n'abihebeye Imana, abakristu baserukiye amadiyoseze yose y'Urwanda, baherekejwe n'abepiskopi 6 harimwo Uwubahwa cane Antoine Cardinal Kambanda n'abasaserdoti. Abakristu n'abasaserdoti bo muri Congo (Bukavu na Uvira) ntibatanzwe muri iryo hwaniro.

Inkuka y'imisa yo kwugurura iryo hwaniro yaherejwe na Nyenicubahiro Musenyeri Gervais BANSHIMIYUBUSA, Umweskopi Mukuru wa Diyosezi y'i Bujumbura araheza araha ikaze, yongera arakengurukira abitavvye iryo hwaniro bose abereye k'Uwuserukira Papa mu Burundi, Nyenicubahiro Musenyeri Dieudonné Datonou, Uwubahwa cane Antoine Cardinal KAMBANDA w'i Rwanda, Abepiscopi bose b'i Burundi n'abi Rwanda, hamwe n'abaserdoti, abihebeye Imana n'abakristu balayike. Yarongeye aranashimika ku nyipfato ibereye ibiremwa bishasha muri Kristu.

Uwuserukira Papa mu Burundi ahejeje gukenguruka ikaze yahawe. yarakengurukiye nawe Inama y'Abepiskopi yateguye iryo hwaniro yongera yibutsa ko Nyenubweranda Papa Francisco yemera cane ko Ingo n'Imiryrango bifise uruhara ntangere mu kumenyesha Inkuru Nziza. Nico gituma yaringanije amahwaniro 2 nsangigingendo mu myaka ya 2014 na 2015 ashimikiye ku ngo n'imiryango nka Ekeziya yohaziko.

Hambavu y'ivyo yaranditse n'inyigisho mw'ikete yise «Akanyamuneza k'Urukundo» rishimikiye ku vyiza n'ivyamwa biva k'urukundo mu ngo no mu miryango. Icifuzo nyamukuru ca Papa n'uko Ingo n'Imiryango vyokwama na ntaryo vyihweza kandi bigendera urukundo ruranga YezuKristu tumenyeshwa n'Inkurunziza yatuzaniye.

***Ivyiyumviro nyamukuru vyavuye mu nyigisho n'intahe zashinzwe***

Hejuru y'ibiganiro vyari bitegekanijwe harimwo inkuka ya misa imisi yose, igisabisho co kuninahaza Imana, ishapule, gushengerera Yezu Kristu hamwe no gushinga intahe.

Umwepiskopi w'i Bururi ajejwe Igisata kiraba ubutumwa bw'abalayike, ingo n'imiryango n'ubuzima ahejeje gutanga intumbero n'ihangiro y'iryo hwaniro yaciye ashikiriza ibiganiro bitegekanijwe hamwe n'ababishikiriza.

1. **Umuryango nka Ekleziya yo haziko imenyesha inkuru inkuru nziza** (Nyenicubahiro Musenyeri Gerevasi BANSHIMIYUBUSA, Umwepiskopi Mukuru wa Diyoseze Nkuru ya Bujumbura)

2. **Irwirirana ry'abantu n'uburyo bwo gutandukanya irondoka** (Nyenicubaro Antoine Cardinal KAMBANDA, Umwepiskopi Mukuru wa Diyoseze Nkuru ya Kigali)

3. **Umuryango mu bihe vy'amahindagu y'imico n'imigenzo vya none** (Nyenicubahiro Musenyeri Yohakimu NTAHONDEREYE wa Diyoseze ya Muyinga)

4. **Ukwo urugo rwifashe muri iki gihe mu burundi** (Musenyeri Léonidas NITEREKA, Icariho Gikuru ca Musenyeri wa Diyoseze Bururi n'umushingantahe Onesiphore NDU-WAYO)

5. **Akamaro n'ingene u-butumwa bw'ingo n'imiryango butunganywa mw'iparuwasi** (Patiri Félix FUPI, Patiri Mukuru wa Paruwase Katedrale REGINA MUNDI).

Ivyo biganiro vyose vyunganiwe n'abashinze intahe bavuye muri ibi bihugu bitatu hamwe n'ibibazo vyatuma inyigisho inoganzwa. Insiguro nazo z'Ijambo ry'Imana mu misa y'imisi yose zagiye zishimangira ivyo biganiro. Ivyo biganiro vyaragarutse kubibangamiye ingo n'imiryango hamwe n'inzira zofasha kubivamwo.

I. Ibikuru bikuru mu bibangamiye ingo n'imiryango

Ihindagurika ry'ibihe, ivyiyumiro bishasha vy'iyi si (ethique mondiale) bishingiye kumico y'urufu (culture de la mort) Kutamenya ko gushinga urugo ari ibanga n'umuhamagaro w'Imana (amamuko 1,28) bigatuma ingoz'ubakwa mu ntumbero ya <tugire nk'abandi» canke kurondera akaryohera mubiri. Umwanya muto wogutegura abageni muri iryo banga Ukwemera kugoyagoya, kugutamikano (kw'inkurumbarirano), Ubukene mu miryango

***II. Inzira zofasha kubivamwo***

- Kwitondera isi y'ubu, ntitujane nyabahururu kubera isi ya none igendera ku rwenge rurangwa n'imvugo ifobetse igamije kuzimiza abantu;

- Kwigisha no kunogereza rya kete-nyigisho « Akanyamuneza k'urukungo» n'izindi inyigisho zerekeye ingo n'imiryango mbere zikanahindurwa no mu Kirundi;

- Gusoma ijambo ry'Imana no gusengera hamwe mu miryango; Gutegura umwanya ukwiye urwaruka n'abakiri bato bacitegurira kwubaka kugira bategere ko isakramentu ry'ukubaka ari umuhamagaaro w'Imana;

- Kunagura ubutumwa bw'Ingo n'Imiryango bigakorwa n'ababifitiye ubumenyi (ceux qui ont fait la théologie familiale);

Ibik. urup.4

# Ihwaniro ry'ingo n'imiryango mu Burundi

(Bitangurira ku rup.3)

- Abakristu duhimirizanye mu kwijukira imigambi n'ibikorwa biteza imbere ingo n'imiryango.
- Abaserukiye ingo n'imiryango, nabo nyene baragize ico biyemeje n'ivyo basavye abungere babo.

1. ***Ico ingo n'imiryango ziyemeje:***

1. Gushikiriza izindi ngo inyigisho turonse;

2. Gusengera hamwe nk'umuryango, kukomeza ikiyago no gufata ingingo zumvikanyweko n'abagize umuryango;

3. Gusaba no gutanga ikigongwe mu ngo no mu miryango yacu;

4. Gutanga no gukomeza inyigisho zitegurira abana,urwaruka n'abashimanye kuzokwubaka neza ingo zabo.

***II. Ico ingo n'imiryango zisaba abungere***

1. Gutegura inyigisho ziramvuye kandi zikwiye n'ibikoresho mfasha nyigisho zogufasha imigwi itandukanye y'abagize umuryango hamwe no kwigisha abazokwigisha abandi;

2. Guhabwa inyigisho zitunagura n'imiburiburi rimwe mu mwaka;

3. Haronderwe uburyo n'ibikoresho vyogushigikira ubutumwa bw'ingo n'imiryango;

4. Gushiraho amashure yigishirizwamwo inyigisho n'ubuhinga nyungirango, bafashe n'abakiristu kubinonosora;

5. Ekleziya na Leta baje hamwe bayungurure inyigisho zifutanya imico n'Ijambory'Imana;

6. Turasaba abayobozi b'Ekesiya mu bihugu vyacu, kurushaho kuganira n'ubuyobozi bwa Leta kugira ngo uburyo bwo guteganya imvyaro ku buryo bwa kamere buhabwe agaciro, bwemerwe ku mugaragaro kandi bushigikirwe biciye mu butumwa bw'ingo n'imiryango

7. Dusavye ko hokwegeranywa inyigisho zishirwa mu gitabu kimwe

8. Dusavye Inamay'abepisikopi Katolika kugira indinganizo imwe yokwirikwizwa gushika mu ma paruwasi;

9. Hotegugwa amahwaniro y'ingo n'imiryango k'urwego rw'amadiyoseze yose;

10. Dusavye ko ubutumwa bw'ingo n'imiryango bwitwararikwa n'abapatiri gusumba uko uko bikorwa ubu;

11. Durasaba ko abungere b'ibibihugu vyacu bokwongereza uburyo bwo gushigikira imigambi n'ibikorwa biteza imbere ingo n'imiryango.

Turangije dukenguruka cane yuko mwaduteguriye iri hwaniro ritunagura mu ngo zacu no mu miryango.

Turakengurukiye abo bose bitanze batiziganya ngo rikunde kandi turashimiye n'imiryango yatwakiriye aha mu Gisagara ca Bujumbura. Imana ibahezagire mwese.

***Bigiriwe i Bujumbura, 25 Ruheshi 2023***

***Ku bw'ingo n'imiryango***



***bitavye iri hwaniro ; Jean Masabo yaserukiye abitavye ihwaniro ry'ingo n'imiryango mu Burundi***

# Umuryango: «Ekleziya ya haziko imenyesha Inkuru nziza»

(Bitangurira ku rup.2)

ryango wabo wose wokwakira urwo rukiza. (raba Ikatikisimu y'Ekleziya, n.1655). Muca mutegera ko inkingi za mbere zishemeye za Ekleziya nk'umuryango, ari urugo rugizwe n'ibiremwa bishasha vyavukanye na Kristu.

 Inama nkuru y'Ekleziya ya Vatikano ya kabiri, yahereye ngaho yemeza ko, ku bw'iteka baterwa mw'ibatisimu, abakristu bubakanye baba bagize Ekleziya yo haziko naho boba bari bonyene mu gihugu c'abapagani (raba Lumen Gentium 11 na Familiaris Consortio,21), kuko abavyeyi baca baba abamenyeshamana bambere ku bana babo, bakabigira mu mvugo no mu karorero keza gashingira intahe Kristu ( raba Ikatikisimu y'Ekleziya, n.1656).

 Abatohoza amateka canke ivyabaye vy'Ekleziya, bavuga ko iryo jambo ry'uko Ekleziya itangurira mu ngo ikaba Ekleziya yo haziko, n'aho ryasubiye kumenyekana cane muri iyo Nyigisho ya Vatikano ya II Lumen Gentium 11, ryatanguye gushimikwako mu kinjana ca IV.

Ibiranga ko urugo ari Ekleziya yo haziko, ni uko harangurirwa ubutumwa busa n"uburi muri Ekleziya nzima: ukwitwararika kumenyesha Inkuru nziza, ukwigisha ivy'ukwemera, ugushingira intahe Kristu, ugusenga, n'ibindi.

Iyo hari ivyo, urugo ruca ruba koko nka Ekleziya, aho Inkuru nziza yigishirizwa kandi ikama ivyamwa. Urugo rugahinduka ikibanza aho Kristu ashobora gukurira, mu rukundo rw'abubakanye no mu buzima bw'abana b'urwo rugo. Ruba ikibanza ca mbere c'ishule ryigisha abana gusenga (raba Ikatikisimu y'Ekleziya, n.2685).

Ibikur. urup. 8

# Uguhimbaza Umusi w'Imana. *(Ibikurikira)*

**Umunsi w'akaruhuko**

Abakristu babona ko umunsi w'Imana wari uhariwe gusenga gusa, no muri ako karuhuko, ntibawuha agaciro kawukwiye, ka karuhuko k'ukuri k'isabato.

Ubucuti buri hagati y'umunsi w'Umukama n'umunsi w'akaruhuko k'umuntu bwari bufise ico bumenyesha cari cishangijwe n'abakristu bo nyene ubwabo.

Urunyuragirane rw'ibikorwa n'akaruhuko nk'uko biri muri kamere ka muntu, vyashatswe n'Imana nkuko tubisanga mu Gitabu c'Amamuko, co kivuga ivyerekeye irema (Amamuko 2,2-3 ; Ihunguka 20,8-11).

Akaruhuko kahezagiwe n'Imana kuko gatuma umuntu yitandukanya n'ivy'isi, bimutuma avyishimikije gusumba vyomwibagiza ico Imana imushakako n'ico yaremewe.

Ntitwiyibagize ko, ku batari bake, ko igikorwa ari umuzigo ubavuna, uravye n'umwanya bagiha, na cane cane muri bino bihugu vyacu biri mu nzira y'amajambere, biciganziwe n'ubukene, n'iumwina w'ivy'isi, uravye agahembo k'intica ntikize uwugikoze aronka, utirengagije agahotoro n'agacinyizo k'ababakoresha bamwe bamwe kuko babishatse.

Ni naco catumye bukebuke mu nyigisho zayo, Ekleziya itangura kwerekana uko ako karuhuko k'umunsi w'Imana ari nkenerwa, koroherezа umukozi n'umukoresha, kakaba n'akaryo ko gutagatifuza kuri bose wa munsi w'Imana.

Kubw'ako karuhuko k'umunsi w'Imana, imyitwarariko n'ibikorwa vyose vya buri munsi vy'umuntu biboneraho impengamiro ikwiye yavyo, imyitwarariko y'ivy'umubiri igasubirirwa n'imyitwarariko y'ivy'umutima.

Abo tubona bakaboneraho nabo guterera no gushira mugaciro akarangamuntu kabo, maze ibiganiro n'imibonano yabo bikaharonkera umwuzurira mu rukundo n'ubumwe.

Gutyo, umuntu akaboneraho kuba ico ari, nkuko amajambo y'umutumwa Paulo abivuga ati : « Nkako nyene, ico Imana yaremye cose kandi nta kiriho gikwiye kunenwa, nibacakirane umutima wo gukenguruka kuko kiba gihezagiye n'ijambo ry'Imana be n'inyigisho » (1Timote 4,4-5).

Ni co gituma kandi bibereye ko abakristu boraba neza ko mu mategeko ashingwa n'igihugu atobabera intambamyi yobabuza gutagatifuza uwo munsi w'Imana, naho hoba mu bihe bigoye gute.

Kubw'ubwo buryo, akaruhuko ko ku minsi y'Imana nako ku minsi yose itegerezwa, kaburwa n'iminsi y'iminsi mikuru Abahanuzi bari barabuye, iterekana gusa ico Imana yategeka, ariko kandi yerekana ico ari co agateka ka muntu mu bikenewe mu buzima bw'imibano yiwe n'abandi, kugira ngo baharanire ya « si nshasha » na ya « majuru mashasha ».

Muri make rero, Umunsi w'Umukama wabaye n'umunsi w'umuntu ku buryo bw'umwihariko, uba n'umunsi w'akaruhuko.

**Umunsi w'Ubumwe**

Yezu ubwiwe abisigura aho agereranya « ibwirizwa rishasha » n' »urweze ». aritanga ati : « Nimwazigama amabwirizwa yanje, muzoguma mu rukundo rwanje, nk'uko nanje nyene nazigamye amabwirizwa ya Data nkaguma mu rukundo rwiwe. Nababwiye ivyo, kugira ngo akanyamuneza kanje kabe muri mwebwe bwite, maze akanyamuneza kanyu kuzure. Ng'iri ibwirizwa ryanje: Nimukundane nk'uko nabakunze.

Ukaristiya y'umunsi w'Imana ntiyotuma abakristu baha umugongo ibikorwa vy'urukundo, oya nyabuna; yobabereye ingwati yo kubirangurana umwete n'ubwira, kugira ngo, kubwavyo berekane ko bari basanzwe batari ab'isi, bose babe umuco w'isi bongere baninahaze Imana muri benewabo.

Mu gihe c'abatumwa, amakoraniro yose yabereye abemera akaryo keza ko gusabikanya kivandimwe n'abo bose ataco bishoboje.

'Ku munsi wa mbere wose w'indwi, umuntu wese muri mwebwe nabike iwe utwo yashoboye kwirengagiza » (1Korenti 16,2). Yongera kandi gushikiriza aya majambo ahambaye abakristu b'i Korenti agira ati : « Aho mukoraniye hamwe rero, ivyo mugira si ugufungura imfungurwa y'Umukama.

Nkako mu gufungura umwe wese yisangiza ivyiwe, maze umwe agasonza uwundi aborewe. 22Mbega nta nzu z'ukuriramwo n'ukunyweramwo mufise? Cabure mukengera Ekleziya y'Imana, mugatetereza abatagira ico bafise? (1Korenti 11,20-22)

N'ijambo rya Yakobo Umutumwa si ryo riza ryoroshe. Agira ati : « Mw'ikoraniro ryanyu, nihinjiramwo umuntu yambaye impeta y'inzahabu n'impuzu zisayangana, hakinjira n'umworo yambaye udushambara tw'umwanda, namwe mukitegereza uwambaye ibisayangana, mukamubwira muti: «Niwicare hano heza!», uwo mworo na we mukamubwira muti: «Wewe hagarara hariya!», canke muti: «Icara hambavu y'indava y'ibirenge vyanje!», none se, ntimuba musobanuye bamwe mu bandi, mukagenza nk'abacamanza biyumvira ibitaroranye?' (Yakobo 2,2-4).

***Biracaza***

*Ivyiyumviro bikuru bikuru vyavuye muri «Dies Domini», Inyigisho ya Papa Yohani Paulo wa II*

# Ikete rya Papa Fransisko: Sublimitas et miseria hominis

Ku wa 19 Ruheshi 2023, Nyenubweranda Papa Fransinsiko yarasohoye ikete « ***Sublimitas et miseria hominis » ( Ubukuru n’amagara make y’ikiremwa muntu)***.

Bisigura ko umuntu ku ruhande rumwe afise iteka rirengeye ibindi biremwa vyose , ku rundi ruhande naho akagira amagara make kurusha vyose kuko ariwe wenyene acumura muvyo Imana yaremye.

Papa Fransisiko akaba yarisohoye mu ntumbero yo kwibuka imyaka 400 iheze umuhinga w’umufaransa Blaise Pascal avutse.

Blaise Pascal akaba hambavu y’ubwenge yarafise mu bijanye n’ivyirwa vy’ibiharuro, ubuhinga n’ivyirwa mbagarabwonko, yararanzwe kandi n’ubushakashatsi bwo kurondera kumenya n’ukwemera.

Ni kuki Nyenubweranda Papa Fransisiko yasohoye iryo kete ku mibukiro y’ivuka rya Blaise Pascal ?

Kuri Papa Fransisiko, Blaise Pascal ni uwuherekeza abakristu biki gihe mu rugendo rwabo rwo kurondera igitanga umunezero w’ukuri bamurikiwe n’ingabirano y’ukwemera n’ukumenya ukwicisha bugufi n’akanyamuneza vy’Umukama wacu Yezu Kristu yapfuye akongera akizura mu bapfuye. Bimwe mu vyamuranze bigaragaza umutima wiwe.




1. Ni umukunzi wa Kristu : niba Blaise Pascal ivyiyumviro vyiwe bishika ku nyota abantu nuko bifatiye ku kiremwa muntu ku buryo butanganje. Afatiye kw’ijambo ry’umwanditsi w’izaburi 8 : « Umuntu ni iki kugira ngo umwibuke, mwene Adamu ni iki kugira ngo umwitwararike » ?

Ikibazo nkoramutima umuntu wese yama yibaza.

Blaise Pascal nawe akacibaza afatiye ku kibanza c’umuntu mu buzima bwa minsi yose bwo ngaha kw’isi. Akiha inyishu yerekana ko umuntu ari magara make kuko adashobora gutegera neza ubwaguke n’ikinyegezwa civyo tubona Imana yaremye kw’isi, ariko kandi ko muvyo Imana yaremye ,umuntu ariwe afise ububasha bwo gutegera no kwiha intumbero y’ubuzima bwiwe naho ari magara make.

Ntawushobora rero gutahura ivyiyumviro vyiwe mu gihe yiyobagije ko Yezu Kristu n’inyandiko nyeranda ari ishingiro n’urupfunguruzo rwa vyose.

Nimba Pascal yarafashe umugambi wo kuvuga Imana be n’ikiremwa muntu, nuko yemera adakekereza ko tutazi gusa Imana duciye kuri Yezu Kristu, ariko ko abantu twiyizi, tukimenya kubera Yezu Kristu.

Turazi ubuzima n’urupfu kubera Yezu Kristu. Atari muri Yezu Kristu ntidushobora kumenya icarico ubuzima, urupfu, Imana na twebwe nyene. Atajambo ry’Imana ryoryo rishingiye kuri Yezu Kristu, ntaco twoba tuzi, atari ukubona umuzimagiza.

2. Ukwemera, urukundo n’umwidegemvyo : Blaise Pascal yarazwa ishinga n’ukumenyesha abantu bose ko Imana n’ukuri bidatandukana.

Papa Fransisiko ati : « Nico gituma nsaba atagahato karimwo ko uwushaka kubandanya arondera kumenya ukuri, dute , yoja kw’ishule rya Blaise Pascal. Umuntu w’ubwenge butagabanije yipfuje kwibutsa ko inyuma y’urukundo ata kuri kuharangwa , ukuri guca guhinduka akagirwamana tudashobora gukunda no gukubitira ibipfukamiro.

Nico gituma ubwenge n’ukwemera kwa Blaise Pascal kwashatse kwerekana ko Akleziya ariyo kubaha kuko iha agaciro umuntu, igakundwa kuko ishira imbere ukuri nyako kudufasha gutambuka no mu muzimagiza n’amahinduka yo kuri iyi si.

3.Uguhinduka kwiwe: ku wa 23 Munyonyo 1654, mw’ijoro yise ijoro ry’umuriro, Blaise Pascal yararamukijwe n’Imana.

Uko guhura n’Imana kwatumye amenya ubukuru buri mu mushaha w’umuntu. Bimutuma agira akanyamuneza n’amosozi aturutse kuri ako kanyamuneza. Ako kanyamuneza katumye Blaise Pascal ahinduka , arirega yongera ashingira intahe Yezu Kristu ati:« Yezu Kristu naritandukanije nawe, ndamuhunga, ndamwihakana nongera ndamubamba. Ese tutosubira gutandukana narimwe. Blaise Pascal yitavye Imana ku wa 19 Myandagaro 1662 ashikirije icipfuzo ciwe ati : « Ese Imana itokwigera imvirira narimwe »

Tubamenyeshe ko ku wa 8 Mukakaro 2017, mu kiganiro Papa Fransisiko yagiranye n’ikinyamakuru « La Repubblica» c’Abatariyano yashikirije icipfuzo cuko Blaise Pascal akwiye kuba Umuhimbazwa.

***MSV Ndikumana Marie Goreth***

# Kuva 2025, Intara ya Bujumbura izoba igizwe n'amakomine 11

6. Komine **Mugere**, umugwa mukuru wa komine ni Kabezi, igizwe n'amazone 11. Nayo ni :

• Zone Buhanda igizwe n'imitumba 7: Bugongo, Buhanda, Masenga, Nyankere, Nyarwedeka, Rukingiro, Ruvyagira.

• Zone Gomvyi igizwe n'imitumba 9: Bubanza, Burima, Kayengwe, Gakara, Gomvyi, Murambi, Ntobo, Rubanda na Rutovu.

• Zone Kabezi igizwe n'imitumba 4: Kabezi, Migera, Masama na Mwaza.

• Zone Kanyosha igizwe n'amakartiye 4: Kartiye <busoro, Gisyo, Kajiji, Muasama, Nkenga.

• Zone Kinindo igizwe n'amakartiye 3: Kartiye Kibenga, Kinindo na Rukamo.

• Zone Kiyenzi igizwe n'imitumba 6: Buhina, Gisovu, Musugi, Nyamaboko, Rukuba, Ruvumu.

• Zone Mubone igizwe n'imitumba 4: Gitenga, Kimina, Mubone na Rugembe.

• Zone Musaga igizwe n'amakartiye 7: karitiye Gasekebuye, Gitaramuka, Kamesa, Kinanira, Mpimba, Muzenga, Urumuri.

• Zone Ramba igizwe n'imitumba 4: Gakungwe, Kiremba, Mena, Ramba.

• Zone Ruyaga igizwe n'imitumba 7: Bigwa, Buhonga, Buzige, Kabumba, Mboza, Mwico, Ruyaga.

• Zone Ruziba igizwe n'imitumba 5: kizingwe, Mugere, Ngabwe, Nyabugete na Ruziba.




Yose hamwe ni imitumba n'amakaritiye 61 bigize amazone 11 ya Komine Mugere.

7. Komine **Mugina**, umugwa mukuru wa komine ni Mabayi, igizwe n'amazone 9. Nayo ni :

• Zone Buhoro igizwe n'imitumba 7: Buhoro, Busesa, Mayuki, Mukaka, Nyarusebeyi, Rumvya.

• Zone Butahana igizwe n'imitumba 8: Gafumbegeti, Gahoma, Gakerekwa, Mageyo, Muhungu, Nyabungere, Rugongo, Rutorero.

• Zone Mabayi igizwe n'imitumba 6: Gitukura, kabere, Kibande, Mukoma, Nyagaseke, Rushiha.

• Zone Mugina igizwe n'imitumba 4: Butaramuka, Bwayi, Marumpu, Mugina.

• Zone Nyamakarabo igizwe n'imitumba 3: Girumba, Nyamakarabo, Nyempundu.

• Zone Rubona igizwe n'imitumba 5: Kagurutsi, Gisumo, Ngoma, Nyamihana, Rubona.

• Zone Rugajo igizwe n'imitumba 8: Gihebe, Muyange, Mwarangabo, Kirinzi, Rubirizi, Rugajo, Rugendo, Rusagara.

• Zone Ruhororo igizwe n'imitumba 3: Gasebeyi, Miremera na Ruhororo.

• Zone Ruziba igizwe n'imitumba 3: Camakombe, Rushima na Ruziba.

Yose hamwe ni imitumba 46 igize amazone 9 yo komine Mugina.

8. Komine **Muhuta**, umugwa mukuru wa komine ni Muhuta, igizwe n'amazone 7. Nayo ni :

• Zone Bugarama igizwe n'imitumba 4: Bugarama, Kagona, Kayombe na Nyabungere.

• Zone Busenge igizwe n'imitumba 6: Burazi, Busenga, Canda, Gasebeyi, Gihondo na Rubura.

• Zone Gitaza igizwe n'imitumba 6: Gasange, Gitaza, Kibingo, Mubanga, Mubone, Rutunga.

• Zone Magara igizwe n'imitumba 6: Burangwa, Cashi, Kazigo, Magara, Mugendo na Vuma.

• Zone Muhuta igizwe n'imitumba 5: Buringa, Buyenzi, Gitunda, Kirombwe na Muhuta.

• Zone Ruteme igizwe n'imitumba 4: Bambo, Mihoror, Ruteme, Nyariyaga.

• Zone Rutongo igizwe n'imitumba 8: Higiro, Kanzaganya, Kizunga, Masara, Murago, Rutongo, Ruyobera na Sankonga.

Yose hamwe ni imitumba 39 igize amazone 7 ya Komine Muhuta

9. Komine **Mukaza,** umugwa mukuru wa komine ni Mukaza, igizwe n'amazone 5. Nayo ni :

• Zone Buyenzi igizwe n'amakaritiye 3: Kartiye Kanzigiri, Kartiye Ruvumera, Kartiye Swahili.

• Zone Bwiza igizwe n'amakartiye 2: Kartiye-Bwiza na Kartiye Jabe.

• Zone Mukaza igizwe n'amakaritiye 7: Kartiye Kabondo, Kartiye Kiriri, Kartiye Mukaza, Kartiye Ngendandumwe, Kartiye-Ratiro, KartiyeRohero, Kartiye Rweza

• Zone Muyira igizwe n'imitumba 7: Bigoma, Coga, Kavumu, Kirombwe, Mirama, Muyira, Rubizi.

• Zone Nyakabiga igizwe n'amakaritiye 4: Kartiye ugoboka, Kartiye Mutanga, Kartiye Nyakabiga na Kartiye Rumuri.

Yose hamwe ni amakartiye n'imitumba 23 bigize amazone 5 ya Komine Mukaza.

***Biracaza***

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Umuryango: «Ekleziya ya haziko imenyesha Inkuru nziza»



Foto : Chanel HARINAGNJI

Abepiskopi b'Ekleziya y'i Burundi na bo nyene, mu Ndinganizo igenga ingo n'imiryango, baratanze intumbero y'ibikuru bikuru vyoranga ingo nka Ekleziya y'i muhira. Bavuga bati: ni ugusenga, ukuyaga hagati y'abubakanye, ugutunganya neza ivyo bajejwe n'ugufashanya, (raba Directoire n.75).

***1.2 Ku bw'isakramentu ry'ukwubaka rukristu, turabona ko urugo ari Ekleziya yo haziko***

Mw'isakramentu ry'ukwubaka rukristu, umuhungu n'umwigeme bemera kwunga ubumwe ku bw'umuhamagaro w'Imana. Umugozi ubungira ubumwe si rurya rukundo rw'ibishobisho ruraharara rugaharuruka.

Ni nyabuna Yezu Kristu aza hagati yabo. Abubakanye binjira gurtyo mu kinyegezwa c'ubumwe n'urukundo rusa n'ururi hagati ya Kristu na Ekleziya yiwe. Kurya Yezu yunze ubumwe na Ekleziya ku bw'urukundo, ni ko n'abubakanye babwirizwa kubigira.

Umugabo n'umugore baca bahamagarirwa gushigikirana mu gufashanya kuba beranda, mu kwakira no mu kurera abana Imana ibaha. Ndibaza ko kuri wa musi wa nyuma, abubakanye bageze kw'irembo ry'ijuru, Imana ishobora kuzobaza umw'umwe iti: mugenzawe n'abana wabasize he ?

Ikindi gituma urugo ruba Eklezya y'ibanze, ni uko muri ubwo bumwe umugabo n'umugore bunga mw'isakramentu, ari ho havuka abandi bantu, ku bw'inema y'ibatisimu bahava bakaba abana bashasha b'Ekleziya, kugira ngo Ekleziya ibandanye ibaho.

Habuze ingo zigira Ekleziya yo haziko, na Ekleziya nzima ntiyobaho. Ni co gituma mfise impungenge ku ma Ekleziya ya kera kuko muri yo abantu batakigomba kwubaka rukristu.

Iyo bubatse naho, baca bahukana, canke bakanka kuvyara ! Hari naho amaLeta asigaye abanza kubemerera impera, mugabo bikanka.

None hatabonetse abana Ekleziya izobandanya ibaho gute ? Tuze twame twibuka ijambo ry'Umweranda Papa Yohani Paulo II agira ati: "umuryango ni wo kazoza k'isi n'ak'Ekleziya".

Ku bw'isakramentu ry'ukwabirana, abagize urugo bararangura kandi ibanga ry'ubusaseredoti rusangi batorana mw"ibatisimu n'ikonfirmasiyo, mu gufasha ngo umubano wuzure inema ushimikiye ku gisabisho, ube ishure ry'ukwigiramwo ingeso nziza runtu na rukristu, ube kandi ikibanza ca mbere c'ukumenyesha ukwemera. N'ivyo bikaba biri mu biranga Ekleziya.

***1. Urugo nka Ekleziya yo haziko imenyesha Inkuru nziza***

Umweranda Papa Yohani Paulo II ni we yasiguye ati: "Kazoza k'ukumenyekana kw'Inkuru nziza gahagaze ahakuru ku ngo zamaze gutahura ko ari Ekleziya yo haziko" (Discours à la 3ème Assemblée des Evêques de l'Amérique latine, 28/1/1979).

Ni muri iyo ntumbero Ikoraniro ry'Inama Nsangizangendo y'Abepiskopi yerekeye umugabane wa Afrika yabaye mu 1994 yasavye ko urugo rwose rw'abakristu rwoba ikibanza cisobanuye c'aho abubatse bashingira intahe Inkuru nziza ya Yezu, urugo rukaba koko Ekleziya yo haziko, umubano wemera kandi umenyesha Inkuru nziza, umubano uguma uganira n'Imana mu gusenga, umubano witeguriye gusukurira zina muntu wese utiziganya (raba Ecclesia in Africa, 92).

Iyo tuvuze Ekleziya yo haziko imenyesha Inkuru nziza, ni ukubibona mu mpande zibiri nkuru nkuru: Ekleziya yo haziko imenyesha Inkuru nziza abayigize; Ekleziya yo haziko irongera ikamenyesha Inkuru Nziza no kubatari muri yo (abatari muri urwo rugo). 2.1 Ekleziya yo haziko imenyesha abayo Inkuru nziza (la mission ad intra)

Ubutumwa Ekleziya muryango ijejwe ni ubutumwa bw'ukumenyesha Inkuru nziza ku bagize iyo Ekleziya nyene, ni ukuvuga abagize urugo canke umuryango. Mu nyigisho ya Vatikano II yerekeye abakristu balayike yitwa Apostolicam Actuositatem mu nomero ya 11 dusoma ngo: "abuba-

Biracaza

Ndongozi y'Uburundi

# Umusi mukuru wahariwe umwana w'umunyafrika

Uko umwaka utashe, kw'igenekerezo rya 16 Ruheshi, harahimbazwa umusi mukuru wahariwe umwana w'umunyafrika. Aha mu Burundi ukaba wahimbarijwe mu kigo citiriwe Don Bosco mu Buterere.

Uwo musi hakaba hari hahuriye abanyeshure batari bake biga mu mashule yo muri komine Buterere, bamwe mu bana bo mw'ibarabara, amwe mu mashirahamwe yegeranije abana bahoze mw'ibarabara, ubushikiranganji muvyo bujejwe harimwo agateka ka zina muntu, n'abandi.

NCUTINAMAGARA Tantine, umwunganizi w'umushikiranganji w'agateka ka zina muntu, imibano, n'iterambere ridakumira, avuga ko abavyeyi bakwiye kwitwararika indero y'abana muri kino gihe iriko iratituka bitumwe n'uko indero y'abana yasubirijwe n'ubuhinga ngurukuana bumenyi; aho



Foto : Chanel HARINAGNJI

usanga umuvyeyi atakironka umwanya wo kwicarira umwana, bigatuma wa mwana aronka umwanya wokwibera kuri terevisyo, kuri fesebuke, hamwe no kuri za muga bigirako ibitera soni.

Ivyo bituma babona ko batitaweho, bagaca birera bakoresheje ayo materefone agezweho canke bakarerwa n'abakozi babo.

Ubwo bushikiranganji rero bugahamagarira na cane cane abavyeyi barereye mu gisagara ca Bujumbura, kwitaho indero y'abana babo, kugira batorere inyishu ibibazo bihanze umwana w'umunyafrika mu gukoresha neza ubuhinga bwa none.

Uwo mwunganizi akaba yasavye leta ko yokurikirana neza abashira amasanamu ku mbuga ngurukana bumenyi acafuza umwana w'umufrika. Abandanya asaba abarundi gukora ibishoboka vyose kugira hagwanywe ikoreshwa nabi ry'imbuga ngurukana bumenyi.

Nancy Tincia MUNEZERO yari yaserukiye ihwaniro ry'urwaruka mu gisagara ca Bujumbura, nawe arashima uko imigambi yashizweho mu kwezi kwa Myandagaro 2000 ikingira agateka k'abana ikora.




Foto : Chanel HARINAGNJI

Uwo musi muvyawuranze hakaba harimwo gutanga imfashanyo yari yatanzwe n'ubushikiranganji bwo gushigikirana igizwe n'ibiro 10 vy'umuceri kuri bamwe mu bavyeyi baba aho mu Buterere batishoboye.

Tubamenyeshe ko uwo umusi mukuru ku rwego rw'igihugu, wahimbajwe ku wa 27 Ruheshi kubw'ibikorwa vy'igihugu ubwo bushikiranganji bwarimwo, mu gihe warusanzwe uhimbzwa uko umwaka utashe kw'igenekerezo rya 16 uko kwezi nyene.

**Chanel HARINGANJI**




By Ndongozi y'Uburundi

# Uburenganzira bw'abantu bwo kungana imbere y'amategeko no kudakumirwa

Abantu bose barangana imbere y'amategeko kandi gukumirwa biteye kubiri n'iyubahirizwa ry'agateka ka zina muntu. Abantu bose bategerezwa gukingirwa n'amategeko co kimwe ata gucagura gufatiye ku bwoko, ku rurimi umuntu avuga, kw'idini, kw'ibara ry'urukoba, ku butunzi, ku bumuga canke ku vyiyumviro vya poritike.

Uburenganzira bw'abantu bwo kungana imbere y'amategeko n'ukudakumirwa butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu hamwe n'amategeko y'igihugu.

**1. Ingene amategeko mpuzamakungu ategekanya ubwo burenganzira**

Uburenganzira bw'abantu bwo kungana imbere y'amategeko n'ukudakumirwa butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu atandukanye :

*Itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu,

*Amasezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye poritike,

*Amasezerano mpuzamakungu agwanya ivyo vyose bikumira umukenyezi,

*Amasezerano mpuzamakungu yubahiriza abagendana ubumuga, amasezerano mpuzamakungu yerekeye kurandurana n'imizi ikumirwa rifatiye kw'ibara ry'urukoba,

*Amasezerano ya Afrika yerekeye uburenganzira n'ukubaho neza kw'abana

*Hamwe n'amasezerano ya Afrika yubahiriza agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu.

***a) Mw'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu***

Abantu bose barangana imbere y'amategeko kandi abakingira co kimwe. Ibi tubisanga mu ngingo y'7 ivuga ko abantu bose bangana imbere y'amategeko kandi bategerezwa kwubahirizwa n'amategeko co kimwe kugira ntihagire umuntu n'umwe akumirwa.

***b) Mu masezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye poritike***

Aya masezerano arerekana ko abantu bose bangana ata gucagura na kumwe. Ibi tubisanga mu ngingo za 2 na 3. Ingingo ya 2 mu gace kayo ka mbere ivuga ko ibihugu vyegwa n'aya masezerano vyiyemeje kwubaha no kwubahiriza abantu bose baba muri vyo mu burenganzira bwemejwe n'aya masezerano ata gucagura na kumwe gufatiye ku bwoko, urukoba, igitsina, ururimi, igihugu c'amavukiro, ubutunzi canke uko umuntu yavutse, ukwemera, ivyiyumviro vya poritike canke ibindi.

Ingingo ya 3 na yo ivuga ko ibihugu vyashize umukono kuri aya masezerano vyiyemeje gukora uko bishoboye kwose kugira abantu bose, abagabo n'abagore, bagire uburenganzira bumwe mu kwitunganiriza ivyabo no mu ntwaro na poritike nk'uko bitegekanijwe n'aya masezerano.

***c) Mu masezerano mpuzamakungu agwanya ivyo vyose bikumira umukenyezi***

Abagore n'abagabo bafise agateka n'uburenganzira bumwe. Ibi tubisanga mu ngingo ya 3 ivuga ko ibihugu vyashize umukono kuri aya masezerano bifata ingingo zose zibereye harimwo n'amabwirizwa, haba mu vy'intwaro, imibano, ubutunzi, akaranga, kugira ngo iterambere nyakuri ry'umukenyezi ryiyongere babonereho kwubahirizwa mu gateka kabo no mu bwigenge bwabo ku rugero rumwe n'abagabo.

***d) Mu masezerano mpuzamakungu yubahiriza abagendana ubumuga***

Abantu bose barangana imbere y'amategeko kandi akingira co kimwe abakomeye n'abagedana ubumuga. Ibi bitegekanijwe n'ingingo ya 5 aho ivuga mu duce twa 1 na 2 ko abantu bose bangana imbere y'amategeko kandi ko abakingira kumwe. Ibihugu vyashize umukono kuri aya masezerano biriyamiriza ikumirwa rifatiye ku bumuga kandi bigakingira abagendana ubumuga ivyo vyose vyoza bibakumira hisunzwe ko bagendana ubumuga.

***e) Mu masezerano mpuzamakungu yerekeye kurandurana n'imizi ikumirwa rifatiye kw'ibara ry'urukoba***

Abantu bose barangana imbere y'amategeko kandi bategerezwa kuronka ivyo barekurirwa n'amategeko co kimwe ata kumirwa rifatiye kw'ibara ry'urukoba. Ibi tubisanga mu ngingo ya 5 ivuga ko ibihugu vyose vyashize umukono kuri aya masezerano vyiyemeza kurandurana n'imizi ikumirwa rifatiye kw'ibara ry'urukoba, ku bwoko canke ku nkomoko y'umuntu.
Ibi bihugu vyiyemeza kandi guha uburenganzira bumwe abantu bose bitura sentare n'izindi nzego z'ubutungane, uburenganzira mu vyerekeye ugutora n'ukwitoza hatibagiwe n'ivyerekeye ubutunzi, imibano n'imico kama.

***f) Mu masezerano ya Afrika yerekeye uburenganzira n'ukubaho neza kw'abana***

Aya masezerano arerekana ko abana bose ba-

Ibikur. urup. 11

# Uburenganzira bw'abantu bwo kungana imbere y'amategeko no kudakumirwa

(Bitangurira ku rup.10)

fise uburenganzira bumwe ata gukumirwa. Ibi tubisanga mu ngingo ya 3 ivuga ko umwana wese afise uburenganzira bwo gushira mu ngiro amateka n'umwidegemvyo bitegekanijwe bikongera bikubahirizwa n'aya masezerano ata kumirwa rifatiye kw'ibara ry'urukoba, kw'idini asengeramwo, ku gitsina, ku bwoko bwiwe, aho umuntu avuka, ku bavyeyi yamukako canke ku murezi wiwe mu gihe atarezwe n'abavyeyi biwe.

***g) Mu masezerano ya Afrika yubahiriza agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu***

Ingingo zitegekanijwe muri aya masezerano ni iz'abenegihugu bose ata gucagura.

Ibi tubisanga mu ngingo ya 2 ivuga ko umuntu wese afise uburenganzira bwo gushira mu ngiro amateka n'umwidegemvyo bitegekanijwe bikongera bikubahirizwa n'amasezerano ya Afrika yubahiriza agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu ata kumirwa rifatiye ku bwoko, ku gitsina, ku rurimi umuntu avuga, kw'ibara ry'urukoba, kw'idini, ku vyiyumviro vya poritike, ku butunzi, aho umuntu avuka canke yavutse, n'ibindi.

Ingingo ya 3 ivuga ko abantu bose bangana imbere y'amategeko. Abantu bose bategerezwa gukingirwa n'amategeko ku buryo bumwe.

Nk'uko duhejeje kubibona, amategeko mpuzamakungu atandukanye arategekanya ko abantu bose bangana imbere y'amategeko kandi ko ata muntu n'umwe yokumirwa. N'amategeko y'igihugu c'Uburundi ni uko nyene.

**2. Ingene amategeko y'igihugu ategekanya ubwo burenganzira**

Mu mategeko y'igihugu, tuja kwisunga ibiri mw'Ibwirizwa Shingiro, mu gitabo c'amategeko agenga ingo n'abantu mu Burundi hamwe n'ibiri mw'ibwirizwa n°1/03 ryo kuwa 10 nzero 2018 rijejwe guteza imbere no gukingira abagendana ubumuga

***a) Mw'Ibwirizwa Shingiro***

Abana bavuka ku barundi canke ku barundikazi bafise uburenganzira bumwe ata gukumirwa gufatiye ku nkomoko y'umwana. Ibi bitegekanijwe n'ingingo ya 12 mu gace kayo ka 2 kavuga ko "Abana bavuka ku Barundi canke ku Barundikazi banganya uburenganzira imbere y'ibwirizwa rigenga ubwenegihugu."

Ingingo ya 13 ivuga ko "Abarundi bose banganya iteka n'ivyo bakwiye kuronka. Abenegihugu bose baranganya agateka kandi amabwirizwa abakingira kumwe. Nta murundi n'umwe azokumirwa mu vyerekeye imibano, ubutunzi canke intwaro y'igihugu kubera ibara ry'urukoba rwiwe, ururimi, idini, igitsina canke ubwoko bwiwe."

Ingingo ya 19 irinjiza mu mategeko n'amabwirizwa bigenga Uburundi amasezerano mpuzamakungu yerekeye agateka ka zina muntu bwashizeko umukono.

Ingingo ya 22 na yo ivuga ko "Abenegihugu bose barangana imbere y'amategeko kandi akabakingira kumwe.

Nta muntu n'umwe ashobora gukumirwa kubera ubwoko bwiwe, amamuko yiwe, ururimi avuga, ibara ry'urukoba rwiwe, uko abayeho mu gihugu, ivyiyumviro vyiwe ku vyerekeye ubuzima canke intwaro y'igihugu canke kubera ubumuga canke kubera afise umugera wa SIDA canke iyindi ngwara iyo ari yo yose idakira."

***b) Mu gitabu c'amategeko agenga ingo n'abantu mu Burundi***

Umunyamahanga ari mu Burundi biciye mu mategeko arubahirizwa bikwiye co kimwe n'abarundi. Ibi bitegekanijwe n'ingingo ya 1 y'igitabu c'amategeko agenga ingo n'abantu mu Burundi ivuga ko umunyamahanga ari mu Burundi biciye mu mategeko yubahirizwa uko bikwiye mu vyerekeye amategeko agenga abantu n'ivyabo ; arubahirizwa mu buzima bwiwe hamwe n'ivyiwe co kimwe n'abarundi.

***c) Mw'ibwirizwa n°1/03 ryo kuwa 10 nzero 2018 rijejwe guteza imbere no gukingira uburenganzira bw'abagendana ubumuga***

Abantu bagendana ubumuga bafise uburenganzira bumwe n'abandi bantu bose. Ibi tubisanga mu ngingo ya 5 aho ivuga ko abantu bagendana ubumuga bafise uburenganzira bwose buri mw'Ibwirizwa Shingiro no mu masezerano mpuzamakungu yose Uburundi bwashizeko umukono.

Ingingo y'9 na yo ivuga ko umuntu wese agendana ubumuga ashikana imyaka cumi n'umunani afise uburenganzira mu vyerekeye poritike kandi afise amahirwe amwe n'uwundi mwenegihugu wese ata gukumirwa na kumwe.

Mu gusozera, twagira twibukanye ko abantu bose bangana imbere y'amategeko kandi abakingira kumwe. Nta muntu n'umwe yokumirwa kubera ubwoko bwiwe, amamuko yiwe, ururimi avuga, ibara ry'urukoba rwiwe, uko abayeho mu gihugu, ivyiyumviro vyiwe ku

***Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »***

# Diyoseze Nkuru ya Bujumbura : «Ku ncuro ya mbere, Paruwase Karinzi, igiye kwakira ibirori vyo kwatira abasaserdoti»

Foto : Chanel HARINAGNJI




Paruwase yitiriwe Aberanda Petero na Paulo ya Karinzi, ni paruwase imwe mu maparuwase 40 agize diyoseze nkuru ya Bujumbura.

Ku wa 18 Kigarama 2022, niho umwungere wa diyoseze Bujumbura yamenyesha patiri mukuru w'iyo paruwase, ko ariyo yatowe ngo ibe ariyo itunganya ibirori vyokwatira abasaserdoti muri uyu mwaka, bizoba ku wa 8 Mukakaro.

Paruwasi KARINZI rero imaze imyaka 56, kuva igishingwa mu mwaka wa 1967, nta na rimwe yari bwaterwe iteka ryo kwakira ibirori nk'ivyo.

***Paruwase Karinzi yabayeho ryari?***

Imbere y'uko Paruwase ivuka, abakristu bakukira amaparuwase ya Buhonga na Mutumba: niyo baja kuronkera amasakramentu. Ako karere katwarwa n'Umuganwa NYENAMA yaba ico gihe mu Rushubi.



*Patiri Yohani Alanga Amisi, arongoye Paruwase Karinzi*

Niho rero abapatiri bera, mu gihe bariko baramenyesha Inkuru Nziza, begera umuganwa Nyenama, agaca abakomorera agasozi Paruwase yubatseko.

Ishure rya Gasenyi, ari ryo mu nyuma ryabaye Paruwase, ryahora rikukira Paruwase Buhonga gushika mu 1945.

Kuva uyomwaka w'1945, iryo shure ryaciye ryegukira Paruwase Mutumba gushika mu 1967.
Mu mwaka w'1967 Niho Umwepiskopi yari aragiye Diyoseze ya Bujumbura Nyenicubahiro Musenyeri Michaeli NTUYAHAGA yakomorera abanyagasenyi, Paruwasi, mu gushinga ko ishure rya Gasenyi ribaye Paruwasi bwite.

Aca ayita paruwase Karinzi kugira ngo ayitandukanye na Paruwase Gasenyi ikukira Diyoseze Ngozi, yari yavutse mu 1950.

***Kubera iki iryo zina «Karinzi ?»***

Ku batabizi, mu micungararo ya Paruwase Karinzi yari yuzuye ibiti bita "Umurinzi" kikaba ari igiti gifise amateka muri kahise kuko ari igiti c'ubahwa (arbre sacré).

Imbere y'uko isengero yagururwa, hari igiti c'umurinzi catewe hanze ku mfuruka y'ibubafu bw'isengero, kikaba catewe igihe Paruwase Karinzi yavuka 1967.

Kuva mu 1945, abapatiri bera- abamisiyonari baba i Mutumba nibo bahora baza gutaba abakristu ba Karinzi. Abo ni Patiri Cigogne, Patiri Jacques Morages, Patiri Bernard Paganneb, Patiri Bastin na Patiri Claude Pager.
Abo basaserdoti bunganirwa n'abamenyeshamana.

Kuva 1965 -1973 ngo Patiri Stefano Walleyn ni we yahora aza agatabara abo bakristu mu kubaha amasakramentu, ni nawe yasavye ko hovuka Paruwase Karinzi, mbere aca aba ariwe agenwa ngo abe na patiri mukuru wa mbere wa Paruwasi Karinzi. Aho ni Kuva mu 1967 gushika 1970.

Paruwasi Karinzi iramaza kuronka abihebeyimana bashika ku 7 n'abasaseredoti 9.

*Patiri Noël Ntirandekura*